Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 72
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

Email:ndongozi.journal1939@gmail.com
Facebook : Journal ndongozi y'uburundi

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°841 15 Ruheshi 2025

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

# Itangazo risozera Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi yo muri Rusama 2025

1. Kuva kw'igenekerezo rya 19 gushika ku rya 23 Rusama 2025, Abepiskopi b'Ekleziya Gatolika y'i Burundi barakoraniye hamwe mu nama yabo isanzwe. Iyo nama yabereye i Bujumbura ku Cicaro cayo kiri i Kiriri.

2. Nk'uko vyama bigenda igisabisho nico bahereyeko, gikurikirwa n'ijambo ryo kwugurura ibikorwa ryashikirijwe n'Umwepiskopi aronoye inama. Intumwa ya papa mu Burundi niyo yahawe ijambo ubwa mbere. Yaboneyeho kwibutsa ibiringo bihambaye umuryango w'Ekleziya ikwiye kw'isi yose iherutse kubamwo: n'ukuvuga urupfu rwa Papa Fransisko n'itorwa rya Papa Leo wa XIV, nk'umusubirizi wa Petero agira amajana abiri na mirongo itandatu n'indwi (267).



Intumwa ya Papa irakenguruka cane ubumwe, ubunywanyi n'ugufashanya muri Ekleziya y'i Burundi yamye yerekana kuva kera, ariko yere-

Soma ku Rup. 2

Abakozi ba Ndongozi
Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA
Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA
Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI
Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA
Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA
Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

## Tugwize umwimbu tuzirikana ihangiro ry'igihugu cifashe mu 2040, giteye imbere mu 2060 (Ibikurikira)

Barundi, Barundikazi, Bakozi , Bakoresha,

18. Uno musi rero umukozi wese yibaze kandi yiyishure: « Mfise iki, mbuze iki kugira nkore ibikorwa biduza ubutunzi, kugira nanje ntere imbere, mere nk'abandi ?

Uburundi bubuze iki kugira bumere nk'ibindi bihugu biteye imbere?

19. Tuvuze ibihugu bitunze, aha ngira ngo abagwizatunga baca bumva ko bahamagawe mu bambere.

Noneho turavyibonera, turabona ko muri ku kivi.

Mu myaka mike cane, mwarashinze amahinguriro mu ntara nyinshi z'igihugu, mu bisata bitandukanye, haba mu vy'uburimyi, inyubako, amahoteri yakira ingenzi, guhingura ivyuma, ibinyobwa n'ibindi.

Mwarahaye akazi abantu benshi, muratanga amakori n'amatagisi, muranasahiriza mu bikorwa bimwebimwe mu vy'imibano, nk'ukwubaka canke gutanga ibikoresho mu mashure, amavuriro, n'ibindi.

20. Abenegihugu basanzwe, na bo nyene bari ku kivi, ndabibashimiye.

Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo

o Tugwize umwimbu tuzirikana ihangiro ry'igihugu cifashe mu 2040, giteye imbere mu 2060......4
o Inama igira gatatu ijanye no gukingira amabahari......8
o Abantu botegera bate ubuzima bwo mw'ibohero?......9
o Ingene amategeko ategekanya uburenganzira bwo gushikiriza iciyumviro......10

# Idominika ya 12 : *Umwaka C*

**Igisomwa ca mbere:** **Zakariya: 12,10-11;13,1**

Ivyo dusoma mu gitabu c' Umuhanuzi Zakariya:

(*Bazokwihweza uwo basogose*)

Nzosasagaza ku muryango wa Dawudi no ku baba i Yeruzalemu umutima w'ubuntu n'uwugutakamba. Bazoheza berekeze amaso kuri jewe. Uwo basogose na we, bazomugandarira nk'uko bagandarira umwana w'ikinege, batuntuzwe na we nk'abatuntujwe n'imfura yabo. Kuri uyo musi, hazoba ikigandaro kinini i Yeruzalemu, kimeze nk'ikigandaro ca Hadadi Rimoni mu kiyaya ca Megido.

Kuri uyo musi, isôko rizokwugururirwa inzu ya Dawudi n'ababa i Yeruzalemu, ngo ryuhagire igicumuro n'ubuhumane.

**Igisomwa ca kabiri:** **Abanyagalati: 3,26-29**

Ivyo dusoma mw'Ikete Umutumwa Paulo yandikiye Abanyagalati:

(*Ko mwabatijwe muri Kristu, mwambaye Kristu*)

Ncuti zanje Mwese muri abana b'Imana kubera ukwemera mufise muri Kristu Yezu. Mwese ko mwabatijwe muri Kristu, mwambaye Kristu. Nta Muyuda canke Umugerekip, nta mushumba canke uwidegemvya, nta mugabo canke umugore bakirihor, kuko mwese muri umwe muri Kristu Yezu. Nimwaba muri aba Kristu, muri uruvyaro rwa Aburahamu, mukaba rero ba samuragwa nk'uko vyari mu muhango.

## Inkuru nziza: **Luka : 9,18-24**

**Alleluya! Alleluya!**

Umukama yavuze ati ; » Intama zanje zirumva ijwi ryanje, kandi ndazizi nazo zikamenya »

**Alleluya!**

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Luka:

(*Petero yerekana ukwemera kwiwe*)

Umunsi umwe, Yezu yariko arasenga wenyene, abigishwa bari kumwe na we. Arababaza ati: «Abantu bavuga ko ndi nde?» Baramwishura bati: «Bamwe bavuga ngo uri Yohani Batista, abandi ngo uri Eliya, abandi na bo ngo uri umuhanuzi wo muri bamwe ba kera yazutse.» Yezu araheza ababwira ati: «Mweho muvuga ko ndi nde?» Petero yishura avuga ati: «Uri Kristu w'Imana.» Araheza arabihanikiriza ashimitse ngo ntihagire n'umwe babwira ivyo bintu. Yongera avuga ko Umwana w'umuntu abwirizwa kubabara cane, agacibwa n'abakurambere, abaherezankuka bakuru n'abanditsi, akicwa, hanyuma ku musi ugira gatatu akazuka.

Hanyuma Yezu abwira bose ati: «Uwushaka kunkurikira, niyihebe, yikorere umusaraba wiwe wa buri musi, ankurikire. Nkako, uwushaka kurokora ubuzima bwiwe azobutakaza, nayo uwuzoheba ubuzima bwiwe kubera jewe azoburokora.

# Itangazo risozera Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi yo muri Rusama 2025

kanye cane cane muri bino bihe duhitiyemwo vy'umubabaro wo kubura Umuvyeyi papa fransisko, n'akanyamuneza ko kuronka Papa Leo wa XIV.

Intumwa ya papa irakengurukira Imana k'ubu Inama y'Abepiskopi yuzuye kuva aho habonekeye Abepiskopi babiri: Umwepiskopi wa Diyoseze Bubanza n'Umwepiskopi wa Diyoseze Rutana.

Inyuma y'ijambo ry'Intumwa ya Papa mu Burundi, hakurikiye guhanahana amakuru yo mu madiyoseze.

Abungere barashimira Imana ku vyiza vyinshi igihugu cayo cagabanye mu bihe bitandukanye no mu migirwa myinshi. Barashima ko ukwemera kw'abakristugutera kuja imbere. Ivyo vyarigaragaje mu madiyoseze yose, mu kwitaba kandi bafise umutima wo gusenga, iyugururwa ry'umwaka wa yubile y'imyaka 2025, Jambo w'Imana yigize umuntu akaza kubana.

Abepiskopi barahimba-we n'umunsi mukuru w'isozerwa rya yubile y'imya 50 iheze ubutumwa bw'imikangara y'Imana butanguye mu Burundi. Uwo munsi mukuru wasozerewe mw'isengero Mvyeyi ya Diyoseze Ngozi, igenekerezo rya 4 nzero 2025. Uwo munsi nyene haciye hahezagirwa ibuye ry'imfuruka c'ikigo co kuremesha ubutumwa bw'Abamisiyonari kizokubakwa ku Ruganza muri Diyoseze ya Ngozi.

Abepiskopi barahimba-we cane no kwumva ko mu madiyoseze barongoye, hose hatunganijwe ibiringo vy'umwiherero w'abasaserdoti – basuku, inyigisho zabo n'ayandi mahwaniro abafasha ku-ba hamwe no kuzirikana ibanga ridasanzwe batoranye cane cane muri uno mwaka wa Yubile y'imyaka ijana iheze abapatiri babiri b'imvukira batiwe muri

(Ibik. urup: 3

# Itangazo risozera Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi yo muri Rusama 2025

(Bitangurira ku rup.2)

iryo banga.

Aha twokwibukako uwo mwaka wa Yubile wugururiwe i Mugera muri Diyoseze Nkuru ya Gitega, igenekerezo rya 15 Ruhuhuma, ukazosozerwa ku Mutumba wa Siyoni Gikungu, i Bujumbura, igenekerezo rya 6 kigarama 2025.

Abepiskopi kandi barashima ukungene : abakristu bitavye ku bwinshi inyigisho zo mw'ikarema, zibategurira guhimbaza neza iminsi mikuru ya Pasika, bagahimbarwa n'igitigiri kinini c'abakristu baherutse guhabwa ibatisimu y'abakuze kw'I-pasika; abariko baritegurira kuronka Ikomfirmasiyo muri iyi minsi iri imbere, Abadiyakoni bariko baritegurira kwatirwa mw'ibanga ry'ubusaserdoti-busususku aho bukera, n'abandi baseminari batari bake bitegurira gushingwa amabanga muri Ekleziya, aberekeza kuri iryo banga riberekeza ku busaserdoti-busuku.

Twobibutsa mbere ko ikirangaminsi c'amataliki y'itangwa ry'ubusaserdoti camaze gushingwa:

- Kw'italiki 5 z'ukwezi kw'indwi muri Paruwase Rushubi, niho hazotangwa ubusaserdoti muri diyoseze nkuru ya Bujumbura;

- Kuri izo taliki nyene, muri Paruwase ya Munyika, diyoseze ya Bubanza,

- Kw'italiki 12 z'ukwezi kw'indwi hazoba haramukiwe: Paruwase Gasenyi muri diyoseze Ngozi na Paruwase Mvyeyi Cathedrale ya Ruyigi muri Diyoseze ya Ruyigi

- Kw'italiki 19 z'ukwezi kw'indwi hazotangwa ubusaserdoti mu ma diyoseze ane:

• Muri Paruwase Mbogora muri diyoseze nkuru ya Gitega,

• Muri Paruwase Mugamba muri diyoseze ya Bururi,

• Muri Paruwase Gasorwe muri diyoseze ya Muyinga,

• Muri Paruwase Kayogoro muri Diyoseze ya Rutana.

Iruhande y'abo bitegurira ubusaserdoti, hari n'urundi rwaruka rutari ruke mu miryango itandukanye y'abihebeyimana bariko baritegurira kugira indagano za mbere.

Eka tutibagiye n'abihebeyimana bariko baritegurira kugira burundu canke amayubile, bakengurukira Imana yabazigamye mw'ibanga, hamwe rero n'abandi bakristu bitegurira kugabana ivyiza vy'Imana. Ivyo vyose tukaba tubikenguruka.

Abepiskopi bahejeje guhanahana ayo makuru, baciye bihweza kimwe kimwe mu vyari bitegekanijwe.

3. Mu vyerekeye ubutumwa bwa Bibiliya, Abepiskopi bararimburiye hamwe integuro y'amasezerano hagati y'Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi, n'Ishirahamwe rya Bibiliya mu Burundi, ryo gufashanya kwiga ingene Bibiliya Nyeranda yobandanya iboneka.

Bamaze kwihweza integuro y'ayo masezerano, bakayunganira, Abepiskopi bongeye gutuma umugwi ubikurirkirana kuja kuvuga neza n'iryo shirahamwe, ingene iyo nteguro yohinyanyurwa imbere y'uko ayo masezerano yemezwa.

4. Mu ntubere yo kubahiriza amategeko y'Ekleziya, Abepiskopi barigiye hamwe ingingo yashikirijwe n'igisata ca Papa kijejwe abapatiri igenekerezo rya 12 Ndamukiza ku vyerekeye iherezwa ry'Inkuka ya Misa.

Abepiskopi basanze hari ivyahora bikorwa hano iwacu, bitegerezwa guhinyanyurwa, hanyuma kandi imitigiri yose igize igihugu c'Imana ikaronswa inyigisho ku vyerekeye iherezwa ry'Inkuka y'imisa

5. Ku vyerekeye Liturjiya, Abepiskopi barigiye hamwe ibiri mw'ikete Igisata ca Papa kijejwe amasabamana n'itangwa ry'amasakramentu, ryashikirije abakuru b'Inama z'Abepiskopi ku vyerekeye ivyiyongereyeko mu bisabisho vy'amazabuli bivugwa buri masaha hamwe n'i-yunguruzwa ry'iminsi mikuru itegerezwa, iyo ihuriranye.

Abepiskopi basanze ko ivyerekeye ibisabisho bivugwa, ku masaha ategekanijwe, n'aho hari intambamyi zihari, nko kutagira igitabu c'igisabisho c'amazabuli kiri hamwe, cahinduwe mu Kirundi.

Basaba ko abakristu bose boronswa inyigisho zibamenyesha kandi zibakundisha ivyo bisabisho vy'Ekleziya.

6. Mu ntubere yo kubahiriza amategeko y'Ekleziya Abepiskopi barigiye hamwe impinyanyuro y'amategeko akingira abana guhumbishwa hano iwacu. Nkako, ayahahora yari yashinzwe mu 2013, inyuma yaho hahindutse vyinshi. Abepiskopi bamaze kwihweza integuro, barereretse umugwi ubijejwe ivyo bohinyanyura kugira ngo ayo mategeko ashirweko umukono.

7. Ku vyerekeye ubuzima bw'igihugu, ku bijanye n'amatora, Abungere baramenyeshejwe aho imyiteguro y'igikorwa co gukurikiranira hafi amatora giteye.

Barakenguruka ibikorwa bimaze gukorwa n'umugwi ujejwe ubutungane n'amahoro rwegukira Inama y'Abepiskopi yabo, hamwe n'ibikorwa bimaze gukorwa n'imigwi ijejwe ubutungane n'amahoro ku nzego z'amadiyoseze. Barasaba kubandanya ico gikorwa kugira ngo ubutumwa bwabo buze buranguke neza n'aya matora aranguke neza.

Ni na co gituma ku munsi w'Inama uheze twabashikirije itangazo tubatumirira kwitaba amatora twimirije nk'abasangirarugendo kubw'ukwizigira, ngo abe amatora adushikana ku mahoro no kw'iteramebere rirama.

Abepiskopi kandi bararonse akaryo ko gukeza Abepiskopi bashasha :

*Ibik. urup.5*

# Tugwize umwimbu tuzirikana ihangiro ry'igihugu cifashe mu 2040, giteye imbere mu 2060 (Ibikurikira)

*(Bitangurira ku rup.1*

Baritaba ibikorwa vy'agatasi, ivy'impeshi n'ivyo mu myonga.

Ubu mbere vyarateye iyindi ntambwe, basigaye barima no mu ci, igihe tuzi twese ko cahora kirangwamwo ubunebwe, ugusesagura mbere n'ingeso mbi nyinshi.

Ubu, ni abakozi b'ukuri ; ni abanyamwete.

21. Naho biri uko sinorangiza ntakebuye abataratahura ibidindiza iterambere ry'abantu:

Ku bantu b'ibinebwe, ngira mere nk'umutumwa Paulo igihe yahimiriza abanyatesaronika kuko akari mu mpene ni ko kari no mu ntama:

Turumva yuko muri mwebwe harimwo abirirwa biyererera, bakibera ngaho, ntihagire ico bakora ariko bakisuka mu vy'abandi.

Turabategetse benewacu, nimuhunge uwo muvukana wese yishinga kurera amaboko. Hagize umuntu adashaka gukora, ntaronke impembo kandi no kurya ntakarye. Abo ni bo batera ubukene mu gihugu.

22. Namwe bakoresha, twarumvise ko hari muri mwebwe abarenganya abakozi bakorera amashirahamwe yanyu. Mbere bamwe bakanka kubategekaniriza kazoza, abandi ntibabavuze, abandi nabo bakabirukana ata mvo.

Twarumvise kandi ko hariho utunenge mu mategeko amwamwe ntunganyakazi y'amashirahamwe, ategekanya ko umukenyezi agiye mu karuhuko ko kwibaruka aronswa igice c'umushahara.

Turashimishwa nuko indongonzi zabaye koko indongozi mvyeyi z'ubuntu, zitihuse kubishira mu giro.

Turasavye ababijejwe ko bokosora vuba bwango, utunenge twoba turi mu mategeko ntunganyakazi nay'agenga abakozi n'akazi abohera mu mugongo umukozi.

23. Twarumvise ko gushika n'ubu hariho abakoresha bataritegera akamaro k'amashirahamwe aharanira agateka k'abakozi, ndetse badaha n'ijambo abo bakoresha.

Nabo ndabategetse kubitegera no kuja inama n'ingingo, kuko umukozi si igikoresho bakoresha giheze bagata ngaho.

Umukozi ni umuntu yazanye umutahe w'ubwenge n'inkomezi kugira mushire hamwe mugwize umwimbu.

None rero ku mwimbu mwaronse, umwe wese naronke ibimubereye.

Umwe wese atange ubushobozi bwiwe, umwe wese aronke ibijanye n'ico yakoze; naco kikaba kibonekera ku mwimbu.

24. Ku mashirahamwe agwiza umwimbu y'igihugu, n'ubu ngira nsubire gutera akamo abayarongoye.

Mumenye ko arya mashirahamwe atamutahe w'amahera mwayazanyemwo, nyene umutahe ni igihugu.

Nico gituma mwobumbwa n'impembo yanyu, inyungu nayo ikaja gusahiriza mu vya nkenerwa vy'abenegihugu.

Ntituze dusubire kwumva mwakuyeko n'akavunji ku nyungu. Nimwaba mutaberewe n'impembo, murabivugira ahabona.

Dusavye ama syndicats y'ayo mashirahamwe kurikanura, muharanire inyungu z'igihugu, mudomeko urutoki abanyuruza canke abasesagura itunga ry'igihugu.

25. Ku barundi bose iyo bava bakagera mugume muzirikana ko muri uyu mwaka w'umunyamwete, Umurundi wese ahamagariwe kugira ico akoze, kugira Uburundi bushike kw'ihangiro ry'igihugu giteye imbere.

Tuvuze iyo abarundi bava bakagera, tuba tuvuze n'abari ishwi, bakorera mu bindi bihugu.

Na bo nyene bahamagariwe kuvoma batahana, kugira bazoronke aho bazoshikira batashe.

Barundi,
Barundikazi mwese,

26. Mu giswahili abakurambere barayamaze bati : « Mudharau kazi hufa masikini ».

Ku batumva urwo rurimi, ngo « Winenaguza akazi ukapfa uri ntahonikora ».

Imbere y'ugusozera, ndasubiye gukebura Abarundi bose ngo musezere burundu ibintu vyo kunebagura akazi mufise.

Uko kari kwose, gakore, Kuko ako ugaya hari abandi gatunze mw'iteka ryabo.

Ntihagire rero uwurera amaboko ngo yabuze ico akora.

Ugukora ni kwo gutanga inyishu ku bibazo vyose abarundi babaza bijanye n'amikoro make.

27. Ni ngaha mbere nsozereye nsubira kwipfuriza abakozi bose umusi mukuru mwiza, muwuhimbaze mwibukanya ibikorwa bisigaye mutegerezwa gukora, maze mwihe intumbero nshasha izotuma umwaka uza, nk'aya mango, mushika ku mwimbu ubatera iteka ugatera iteka n'igihugu cose.

Umusi mukuru mwiza mwese.

Murakoze, Imana ibahezagire.

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Itangazo risozera Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi yo muri Rusama 2025

(Bitangurira ku rup. 3

Umwepiskopi wa Diyoseze Bubanza (Nyenicubahiro Musenyeri Emmanuel Ntakarutimana) n'Umwepiskopi wa Diyoseze Rutana (Nyenicubahiro Musenyeri Lehonidasi Nitereka).

Baca babonerahombere no gusubira kugabanganya ibikorwa bijanye n'ubutumwa mu bisata vy'Inama y'Abepiskopi, aho baciye bashinga y'uko:

1) Igisata gishinzwe ivyerekeye ugusenga Imana no kwubahiriza ingene amasakramentu atunganijwe, gishishikara kirabwa n'Umwepiskopi mukuru wa Diyoseze ya Bujumbura, Musenyeri Gervazi Banshimiyubusa

2)Igisata gishinzwe ugukwiza hose Inkuru nziza kikarabwa na Musenyeri Joerji Bizimana, Umwepiskopi wa Diyoseze ya Ngozi

3) Igisata gishinzwe ivyerekeye itorwa ry'abihebeyimana, amanovisiya n'imiryango y'abihebeyimana gishingwa Musenyeri Lehonidasi Nitereka, Umwepiskopi wa Diyoseze ya Rutana.

4) Igisata gishinzwe iterambere ry'umuntu wese kirimwo ubutungane n'amahoro, Caritasi n'iterambere gishingwa Musenyeri Emmanueli Ntakarutimana, Umwepiskopi wa Diyoseze ya Bubanza,

5) Igisata gishinzwe ukwemera, amashengero yemera Yezu Kristu, n'imigenderanire n'amadini atemera Yezu Kristu, gishishikara kirabwa n'Umwepiskopi wa Diyoseze ya Muyinga, Musenyeri Yohakimu Ntahondereye.

6) Igisata gishinzwe indero gatolika kiguma mu minwe ya Musenyeri Mukuru wa Diyoseze ya Bujumbura.

7) Igisata gishinzwe ukumenyesha amakuru na co gishingwa Musenyeri Blaise Nzeyimana , Umwepiskopi wa Diyoseze ya Ruyigi.

8) Igisata gishinzwe itorwa ry'abasaserdoti, Amaseminari n'abasaserdoti kiguma gikurikiranwa n'Umwepiskopi mukuru wa Diyoseze ya Gitega akaraba n'igisata kijanye n'Ubwibutsamana mu nzego zishinzwe umutekano, Musenyeri Bonaventura Nahimana.

Nkuko vyama bigenda, Abepiskopi basozereye inama yabo bihweza ibintu n'ibindi vyerekeye ubuzima n'ubutumwa bwerekeye Ekleziya.

Bigiriwe i Bujumbura ku wa 23 Rusama 2025

Musenyeri Bonaventura NAHIMANA, Umwungere Mukuru wa Diyoseze ya Gitega akaba n'Umukuru w'Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi.

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Tumenye ivyo twemera, tubigendere, bidukomeze mu kwemera

**Amabwirizwa muri Bibliya.**

Amabwirizwa canke amategeko y'Imana dusanzwe twibaza ko tuzi, ahurikiye mu bitabu bitanu vya mbere bitangurira igitabu ca Bibliya.

Hari abibaza rero ko amabwirizwa ari arya icumi gusa dusoma mu gitabu c'Ihunguka 20,1-17 canke mu Gitabu c'Ukwibutsa Amategeko 5, 6-21, Ekleziya yadutegekanirije mu bitabu ikoresha mu nyigisho zayo nk'uko tuyasoma mu Gitabu c'Ikatekisimu y'Ekleziya Gatolika (urupapuro 426-427).

Oya, si ayo gusa, turaja kubona ko amabwirizwa dusanga muri ivyo bitabu bitanu, ari menshi cane. Bavuga ko ayari yo arenga amajana atandatu.

Ivyo bitabu bitanu vya mbere dusangamwo ayo mabwirizwa, Abayuda bivyise TORAH mu gihebereyi, kandi bakavyitirira vyose Musa.

Abahinga b'Ekleziya bo ha mbere, nka Orijeni (185) na Tertuliyano (155), bisunze Bibliya yanditswe mu kigiriki, bavyise PENTATEKI. Ni ijambo ry'ikigereki risigura Igitabu c'ibizingo bitanu. Abakatolika twisunze iyo mvugo nyene, tutaretse n'iyo y'Abayuda, tuvyita Itegeko rya MUSA, canke Ibitabu vy'Amategeko.

Na vyo bigakurikirana gutya:

- Amamuko (kigizwe n'ibigabane 50)
– Ihunguka ( kigizwe n'ibigabane 40)
- Bene Levi ( kigizwe n'ibigabane 27)
– Iharura ( kigizwe n'ibigabane 36)
- Ukwibutsa Amategeko (kigizwe n'i-bigabane 34).

Ng'uku uko vyitwa kimwe kimwe cose kw'izina ryaco.

Abayuda bavyita amazina bafatiye ku majambo abitangurira ku karongo ka mbere k'ikigabane ca mbere nyene, canke bagafatira ku ciyumviro nyamukuru kiri muri ico gitabu. Rabe amazina Abayuda baha ivyo bitabu:

1. <u>**Amamuko**</u>: BERESCHITH (mu gihebereyi). Igitabu c'Amamuko bacita kandi Intanguriro canke Inkomoko.

Igitabu c'Amamuko kibanza kwigana ingene isi yatanguye n'ingene abantu nyene batanguye kuremwa (Amamuko 1—11), kikatwiganira n'ubuzima bw'abasokuru kuva kuri Aburahamu gushika ku rupfu rwa Yakobo na Yozefu mu Misiri (Amamuko 12—50).

2. <u>**Ihunguka:**</u> VELLESCHEMOTH (mu gihebereyi) bisigura "Ng'aya

Ibik. urup.6

# Tumenye ivyo twemera, tubigendere, bidukomeze mu kwemera

(Bitangurira ku rup. 5

amazina". Abayuda bacita gutyo, kuko babanza kwerekana no kuvuga imiryango n'amazina ya Bene Israyeli bari baherekeje Yakobo mu Misiri. Mu nyuma rero baca bavuga ingene bavuye mu Misiri.

Kera ico gitabu bacita "Ihunga" bisunze abo bavugwa bagiye mu Misiri, ariko kubera yuko ihangiro nyamukuru riri mu kwerekana ingene bavuyeyo, ni co gituma ubu bacita "Ihunguka". Mu ncamake, ico gitabu c'Ihunguka cigana ingene Abanyisrayeli bari bagiye gushumbira Umwami Farawoni, hanyuma bakava mu Misiri barongowe na Musa.

Tubisoma mu bigabane 14 vya mbere (Ihunguka 1,1—14,14). Bamaze kujabuka ikiyaga gitukura, bahavuye bashika ku musozi wa Sinayi, Imana ibona kwunga ubumwe na bo mw'Isezerano, ibaha n'amabwirizwa bazohora bagenderako, barahava barashinga n'Ihema ry'Ibonaniro.

Ni vyo dusanga mu bigabane vyo kuva ku kigabane ca 14 gushika kuri 40. (Ihunguka 14,15—40,38).

3.**Bene Levi**: VAYYIKRA (mu gihebereyi).

Amategeko y'Abahezankuka, bamuka kuri Levi. Ico gitabu kimenyesha ahanini igihugu c'Imana, na canecane Abaherezankuka, amategeko n'indinganizo ijanye n'imigirwa bategerezwa bakurikiza mu guhereza Imana inkuka n'amashikanwa (Bene Levi 1—26).

4.**Iharura**: VAYEDABBER (mu gihebereyi) bisigura "hanyuma avuga ati:",canke BAMMIDBAR bisigura "mu bugararwa".

Ayo majambo abiri afatanijwe yerekana Ijambo Umukama yashikirije Musa mu bugararwa bwa Sinayi amubwira guharura Bene Israyeli bose, yongera abamenyesha ingene bokwifata igihe bari bimirije kwinjira mu gihugu c'Isezerano (1—10).

Bavuye aho mu bugaragwa bwa Sinayi bari bashikiye, ico gitabu kirigana ingene babandanije urugendo gushika i Kadeshi, aho bahabwa ayandi mategeko atandukanye; ingene bagiye barashinga amacumbi, batata Kanahani, n'ingene bagiye bararwana n'abababuza inzira gushika bashike mu biyaya vya Mowabu, aho bamaze igihe bamenyeshwa ingene bazogabangana igihugu c'isezerano (Har 11—36).

5. **Ukwibutsa amategeko**: ELLEHADDEVARIM canke MISCHNEHATTORA (mu gihebereyi) bisigura "Isubirwamwo ry'amategeko.

Musa aritwararitse gusubiramwo amategeko Abanyisrayeli bari bagiye barumva kugira abategure, baze binjire mu gihugu c'Isezerano bategereye ico Imana ibashakako:" Kuba beranda mu gukurikiza amategeko agenga Isezerano".

Igitabu c'Ukwibutsa amategeko rero, ni nk'iragi Musa yasigaranye Abanyisrayeli, ni zo nyigisho ziwe za nyuma yabahereye mu biyaya vya Mowabu (Amategeko1—11; 27—30). Hagati y'ivyo bice bibiri na ho, hari itororokanirizo ry'amategeko n'ingingo, bimwe vyerekeye ugushemeza Imana n'ibindi vyerekeye ubuzima busanzwe (Amategeko 12—26).

Ico gitabu gihereza ku gusezera kwa Musa n'u-rupfu rwiwe Imana imaze kumwereka igihugu c'Isezerano, ariko ikamumenyesha ko we atazocinjiramwo (Amategeko 31—34).

**Ingene Ijambo ry'Imana rishikira abantu biciye mu ma bwirizwa y'Imana.**

***1. Amtegeko y'abantu ku bantu.***

Tubanze twibukanye ko amategeko ajaho ngo atunganirize canke yorohereze abantu, ariko kandi uwuyarenze ahanwe. Turaja kuja turatanga uburorero.

• Isi yose igengwa n'amabwirizwa twita amategeko mpuzamakungu : Hari amategeko agenga agateka ka zina muntu, amategeko agenga akazi, Itegeko mpanavyyaha mpuzamakungu, amategeko agenzura ubutunzi kw'isi yose n'ayandi

• Ibihugu bigengwa n'amategeko: Mu Burundi bimeze gute? Ibwirizwa shingiro, itegeko mpanavyyaha, itegeko rigenga amatongo, amazi n'amashamba, n'ayandi mategeko menshi atandukanye

• Imiryango igengwa n'amategeko:Amategeko agenga ingo n'imiryango: agateka k'abakenyezi, agateka k'abana

• Ibigo bimwe bimwe bigengwa n'amategeko: Isaha yo kuvyuka, isaha y'ugutahirako, isaha y'ugufungura, isaha yo kuryama

• Amategeko agirirwa abantu ngo abakingire canke ngo abahane bivuye ku nyifato yabo. Uwubaha amategeko, abaho atekanye, agakora utwiwe atawumukomakoma, agatunga agatunganirwa.

***2. Amategeko y'Imana ku bantu***

Abanyisrayeli bari bafise amategeko menshi, ashika 613 muri ivyo bitabu bitanu vy'amategeko.

Amabwirizwa canke Amategeko y'Imana, hari ukuntu Abarundi bayakurikiza mu mibereho yabo n'imbere y'uko Abamisiyonari baza kubigisha Ijambo ry'Imana:
Uturorero: Abarundi ba-

Ibikur. urup. 12

# Inama igira gatatu ijanye no gukingira amabahari

Kuwa 9 gushika ku wa 13 Ruheshi 2025, i Nice mu gihugu c'Ubufaransa, harabereye inama y'ibihugu bigize Ishirahamwe mpuzama-kungu« ONU» ku bijanye no gukingira amabahari. Iyo nama igira gatatu inyuma yiyabereye i New York muri Reta zunze ubumwe za Amerika mu mwaka wa 2017, ni yabereye i Lisbone muri Portugal mu mwaka wa 2022.

Yateguwe n'ibihugu 2: Ubufaransa na Costa Rica. Ikaba yari ifise intumbero yo kurabira hamwe ingene bobungabunga amabahari n'ibinyabuzima biba muri ayo mazi nk'uko umugambi ugira 14 mu migambi 17 ya ONU y'iterambere rirama ubitegekanya .

**1. Akamaro k'ibahari.**

Amabahari atuma umwuka mwiza «Oxygène» ugabanya inguvu z'ubushuhe n'umwuka mubi « Dioxyde de carbone» biva ku bikorwa abantu bakora bigatuma ikirere cononekara.

Amabahari kandi arafitiye akamaro kanini isi n'abari kuriyo. Atuma abantu baronka ivyo bafungura birimwo ivya ngombwa bikwiriye kubera ibinyabuzima biriyo.

Arafise akamaro kanini mw'iterambere haba ku bihugu bihegereye canke biri kure. Amabahari niyo atuma ibidandazwa bidushikira. Abaza kwinezeraza nabo bagatuma ibihugu biyegereye biharonkera amahera y'agaciro kubera barukera rugendo. Abantu benshi kubera ibikorwa bikorerwa mu mabahari bituma baronka ubuzi. Ivyo vyose bigatuma isi itera imbere.

**2. Ibibangamiye amabahari.**

Amabahari n'ibiyaga birabangamiwe cane n'ubushuhe burenza. Ubwo bushuhe bukaba buva cane cane ku bikorwa bimwe bimwe vya twebwe abantu bituma ikirere gishuha cane. Ubushuhe burenze urugero butuma ibinyabuzima biba mu mabahari bibangamirwa. Bimwe bimwe mbere bikanahona burundu.

Ibindi bibangamiye ibiyaga n'amabahari ni imicafu yisuka mu mazi y'ibiyaga n'amabahari. Amaplastike akaba ariyo agize ubwinshi bw'imicafu yisukayo.

Abahinga bavuga ko amaplastike atagihindutse muri 2050 azoba ari menshi mu mazi gusumba amafi. Urwo rukaba ari uruhombo runini ku bantu.

Bafatiye ku micafu yisuka mw'ibahari Pacifike, amaplastike a-rashobora kuba uwundi mugabane muri iyo bahari.

Muri iyo, amaplastique akaba ngo amaze kugira uburinganire burengeye kure n'iyo igihugu c'Ubufaransa.

Hambavu yiyo micafu iboneka, mu biyaga hariyo iyindi micafu myinshi idashoka iboneka yoba yababa amatoni 270000.



*Imicafu igizwe amaplastike y'ubwoko bwose agizwe n'amapine n'ibicupa vyisuka mu mabahari*

Ivyo vyose bituma igihande kinini c'amabahari cononekara, ibinyabuzima bigahona. Amakungu akaba ariko arakora uko ashoboye kugira hagire igihundutse. Ugukingira ibinyabuzima vyo mu mazi ukaba warabaye umwe mu migambi ya ONU ku bijanye n'iterambere rirama.

**3. Umugambi ugira 14 mu migambi ya ONU y'iterambere rirama.**

Umugambi ugira uwa 14 mu migambi 17 ya ONU kugira dushikire iterambere rirama, ushingiye kukubungabunga no gukoresha neza amabahari, ibiyaga, n'amazi kugira dushikire iryo terambere Kuva 2015 gushika 2030, ONU yari yiyemeje ko muri uwo mugambi bazoba baranguye ibitari bike : ugukinga no kugabanya bimwe biboneka imicafu iyariyo yose yisuka mu mazi y'ibiyaga n'amabahari, ugukingira ibinyabuzima biri mu mazi no kunkengera yavyo, ukugabanya bimwe biboneka imicafu yose ituma haba mu biyaga n'amabahari ubumara bwica ibibayo bikonona n'amazi hamwe no gutunganya neza ibijanye no kuroba biciye mu mategeko.

**4. Ico amakungu agiye gukora.**

Iyo nama igira gatatu ya ONU ijanye no gukingira ibiyaga n'amabahari, ishingiye kugushira mu ngiro bimwe bishemeye ibiri mu mugambi wa 14 mu migambi ya ONU yiterambere rirama. Bikazoranguka mu gushirahamwe inguvu kugira baduze ikivi kiboneka kubijanye no gukingira amabahari ; gutegekanya uburyo bwo gushira mu ngiro uwo mugambi wa 14 bongera bashigikira ico bise iterambere ry'ubutunzi bw'ubururu burama hamwe no gukomeza no gukwiragiza ubumenyi bufatiye ku buhinga, mu bijanye no gufata ingingo zibereye zo gukingira ibiyaga n'amabahari.

Tubamenyeshe ko n'Umukuru w'igihugu cacu Evariste Ndayishimiye yari yitavye iyo nama, akaba yararonse akanya ko gushikiriza ijambo aserukiye abandi bakuru b'ibihugu vyo muri Afrika.

*M S V Marie Goreth Ndikumana*

# Inyifato y'umukirisu mu bihe vy'amatora

Uno musi mu bihugu vyinshi vyo kw'isi, ubuzima bw'ibihugu butunganijwe hakurikijwe Demokarasi aho abanyagihugu batwarwa n'abo bitoreye. Ubwo buryo bwo kwitorera abababatwara aho bamaze kubitegera neza, ni bwiza kuko bukuraho intwaro z'igikenye, bukaronsa kandi abanyagihugu gushimira canke guhana abatware barangura neza ibanga ryabo n'abatware babakoreye nabi.

Mu bihugu biteye imbere, harimwo benshi bize amashure, biraborohera cane gutora umuntu canke umugambwe babanje kuraba neza ko umugambi bafitiye igihugu ari mwiza.

Mu bihugu bikiri mu nzira y'iterambere na cane cane ibihugu vyaciye mu ntambara, abanyagihugu, kubera ubumenyi buke, inzara no guterwa ubwoba, batora abantu canke umugambwe batarinze kuraba ko uwo muntu canke uwo mugambwe ubafitiye umugambi mwiza utomoye ushobora kuja mu ngiro. Ivyo rero bituma igihugu gica gitwarwa n'abantu batabifitiye ubushobozi, batabona iyo bava n'iyo baja, aho igihugu kigeze n'iyo bashaka kugishikana.

Mu gihugu cacu muri kahise harabaye ibintu vyinshi muri iki gihugu cacu:
* ugutembagaza ubutegetsi,
* ugukumira imirwi irimwo abantu mu vya politike,
* ubwicanyi,
* uguhonyanga agateka ka muntu,
* ibiturire,
* umwe wese yaharanira inyungu ziwe,
* ugukumirana,
* ukunyegeza ukuri canke kwitwaza ibitagira mvura,
* uguhimiriza n'ugushigikira ingwano,
* ukudahana ivyaha,
* ukudakorera iterambere ry'igihugu.

Umubano wose w'abantu utegerezwa kugira kizigenza, umuntu ashira ibintu ku murongo; uwo muntu abuze haba igihengeri. Paulo mweranda avuga ko ubwo bukuru ata handi buva atari ku Mana (Rm 13, 1-6). Kugamburukira umukuru ariko arangura ishaka ry'Imana ni ukugamburukira Imana yamutumye.

***Kubera iki Ekleziya itanga intumbero ku bakristu ku nyifato bokurikiza mu gihe c'amatora?***

 Ekleziya ishaka kwibutsa abantu bose, abakristu n'abatari bo, bipfuza ubutungane n'amahoro, inzira n'uburyo buzira igikenye n'urwanko

 Ishaka kwigisha abantu bose ko bashobora kugwanira uburenganzira bwabo kugira bateze imbere ubutungane n'amahoro cane cane muri iki gihe c'amatora

 Ishaka kandi guhimiriza abantu bose ngo bazogende gutora batekanye bataryana urwara, bubahana, kuko turi bene mugabo umwe;

 Ekleziya ishaka guhimiriza abantu ngo babandanye mu nzira nziza twatanguye yo kurekuriranira no gusubiza hamwe.

Turarabira hamwe ingene twokwifata imbere y'amatora, mu gihe c'amatora n'inyuma y'aya matora yimirije yo 2025 na 2027.

1. Imbere y'amatora

Ntituri abanyagihugu gusa turi n'abakristu b'abakatolika. Nico gituma abakristu boja mu matora bazirikana ko bagiye kurondera ineza ya bose barangwa n'ukwemera, batabanje kukubitsa ahantu.

Ku bwo ukwemera kwacu amatora twokwibukanya ko ari mu bintu bigize intwaro rusangi, ubuzima bw'igihugu.

Ni co gihe hahindagurwa inzego, abakoze neza bagashimirwa mu gusubira kubizera kuko babaye kirumara; abo vyagoye nabo bagasezerwa bakaja kwihanura bakazogaruka hanyuma canke babonye batabishoboye bagaheba bagakora ibindi.

Ico twomenya kandi tutoza turiyobagiza, ni uko twese turi abantu kandi ko twese turi abana b'Imana, tukibuka ko turi n'abakristu kandi ubwo bukristu ata na kimwe coza kubutosekaza kandi noneho nta n'igishobora kubuzimanganya kuko ibatisimu yatumye turonka urumenyetso rutazimangana.

Twitegurire amatora turi abakristu, tukaja mu matora turi abakristu, n'inyuma y'amatora tukaguma turi abakristu. Kristu rero yaradukunze urukundo ruhambaye mu kutugira abana b'Imana bwite kubw'ibatisimu yiwe.

None rero ntihagire ikintu na kimwe codukura kuri urwo rukundo rwa Kristu kandi mu bihe vyose (Abanyaroma 8, 35-39).

Ikindi twomenya kandi imbere y'amatora ni ikiringo c'ukwiyamamaza cama kirangwa ahanini no kutubahana, abantu bamwe bamwe ugasanga umengo bataye ubuntu, bagasigara umengo ni ibikoko : batakigira ico basonera, ukabura uwize n'uwutize, abenshi bakaba ba njanye n'abaja canecane urwaruka rufise amaraso agishushe.

None rero abiyamamaza nibajane umutima w'ubukristu. Ni bigenza nabi bagafata uwundi ukutari ko, bakamutuka mu gihe c'ukwiyamamaza, bamenye ko amatora azohera ubuzima bukabandanya nk'uko bwahora.

Umwe watuka, umwe wononera ivyiwe … ugasanga urasubiye kumukenera, gurtyo ugaca usanga uriko uranegenega aho waneguwe.

**Biracaza**

*Igisata kijejwe Ubutumwa bw'ubutungane n'amahoro muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura «CJP Bujumbura»*

# Abantu botegera bate ubuzima bwo mw'ibohero (Ibikurikira)

**3. None umugwi w'imbohe ugizwe na bande ?**

Ibohero turisangamwo imigwi ibiri mikuru mikuru : abapfungwa ata caha kibagira barorereye kurengutswa hamwe n'abafungwa bamaze gucirirwa imanza, icaha kikabagira.

Imbohe ishobora kuba uwari we wese, kurya ko mu bitaro dushobora gusangayao imigwi yose y'abagwayi: abakuze, abagabo, abagore , abigeme, abatama, utuyabaga (abahungu mu Rutimbura mu Ruyigi, abigeme i Ngozi) ; dusangayo abifise, abadandaza, abahora ari abigisha, abahora batwara, abasaserdoti, abihayimana, abamenyeshamana, abanyamyuga, abaganga,.. Ni wabo wa twese rero. Nta numwe yovuga ko azopfa atagiye muri ico kibanza.

None ntitwumvise ko n'aberanda bajanyweyo ; kuko ntawijanayo kiretse uwushaka ko bamukingira ; nawe nyene afise inzira abicishamwo.

Imbohe iva mu mubano w'abantu yarekurwa igasubirayo, iyo itomboye ntipfire yo.

**4. Abantu bategera gute ubwo buzima ?**

Tuvuze ibohero abantu benshi baratinya cane ico kibanza gushika naho bibagora rwose kwiyumvira kuja kuraba abahaba. Kubera iki ?

- Ni ikibanza c'amarira n'amagorwa.

- Ikibanza kirunzemwo, cegeranirijemwo inkozi z'ikibi, abicanyi, abasuma, n'abandi ;

- Ikibanza kigayitse ;

- Ikibanza c'iyishuriro womengo gitegura ipurugatori canke ku bandi umuriro udahera ;

- Ikibanza c'akarenganyo kubera intungane zishobora gutabwayo ; kubera ico benshi barahatinya, bagatinya n'abanyororo, naho yoba yejejwe, ntigahera, baguma bamutuma urutoke ; umunyororo baramugaya, bakamukengera ; mbere ugasanga biranacafuje abiwe hanze ; ehe wa muryango w'abasuma, w'abicanyi ; w'abasambanyi etc.

Yamara impande y'ubwo bwoba, ku bamaze kuhagendera baratangara : bajana ubwoba mu ntango, bakavayo batamariwe kuko basanzeyo ubuzima : hari abiyakiriye ntibibabuze gutwenga; abagendera ubukristu bwabo mu kuharonkera akanya ko kwisubirako ; hari abihebura kubera imvo nyinshi : abaryango bari kure, ubukene, inzara, ingwara, na cane cane iyo dossiers zabo zitigwa ningoga ngo barengutswe, baburane, bezwe canke bakatirwe ;

- Amasabamana araremeshwa ukuri kwamye mbere arimwo ubuzima n'umutima gusumba ayacu, twebwe abidegemvya.

- Imihari y'agsiyo katolika, imigwi y'ubutumwa, imibano rukristu mito hamwe hamwe mu mabohero, imigwi ya Bibliya etc.

- Hariho uguhana ubafasha mw'ibohero ku buryo ubugenzi butanguriye, bukaremera mw'ibohero usanga bukomeye cane, nka kurya kw'abahwaniye mu bitaro bagafashanya.

**5. Ibohero ritumbereye iki ?**

* Gufasha imbohe kwikubita agashi ngo yikebuke,

* Gukingira umutekano w'abantu n'ibintu,

* Gukingira nyene gufatwa ishavu ry'abo yagiriye nabi vyaba ibimuvuyeko canke isanganya Ku bwa ngingo ntiryotumbereye ukwihora uwo ntashaka, umwansi

**6. Ijambo ry'Imana rivuga iki kw'ibohero ?**

*a) Ibohero mu Bwuzure bwa kera.*

Mwomenya yuko muri Bibliya dusanga uturongo 40 twose tuvuga ibohero, ugutabwa mw'ibohero, ugufungwa.

Yamara, igihano co gutabwa mw'ibohero ntacari gitegekanijwe mu mategeko ya Musa ; kizotangura inyuma y'uguhunguka aho Israeli izova i Babiloni.

Ico gihe dusanga ibohero cari igihano kiraba ivyaha birabana n'ukurenga amategeko y'Imana canke ubugararaji ku mwami: « ***Uwo wese atazorangura itegeko ry'Imana yawe n'itegeko ry'umwami, aze acirwe urubanza rukwiriye, ari urwo gupfa, canke urw'ugucibwa, canke urw'ukunyagwa ibitungwa, canke urw'ugupfungwa*** » (Esd 7, 26).

Uwarenga isabato agakora ibitarekuwe kuri uyo musi nawe nyene baramufata:« ***Hari umugabo basanze ku musi w'isabato ariko aratorora inkwi ku musi w'isabato…Bamuhereza abamucu-nga kuko batari bwafate ingingo y'ico bomugira*** (Iharura 15,32-33).

Wari nk'umunyororo w'agateganyo imbere yo gucirwa urubanza.

Mu gitabu c'Amamuko batubwira ingene yozefu yadenderejwe na mu ka Potifar, Shebuja wa Yozefu ; baramufashe, bamuta « ***mw'ibohero, ahantu bapfungira imbohe z'umwami, aguma muri iryo bohero*** » ( Amamuko 39, 20).

Hari n'abandi bakevyi babiri batubwira ko bafunzwe kuko bacumuye kuri shebuja maze arabafatisha : « ***abahereza ababacunga mu nzu y'umukuru w'abarinzi, aho Yozefu na we yari abohewe…Bamara imisi mw'ibohero*** » ( Amamuko 40, 3).

***Biracaza***

***Patiri Eugène NSANZERUGEZE, arongoye igisata gishinzwe Ubutumwa n'inyigisho ndoramana mu Nama y'Abepiskopi Katolika b'i Burundi, akaba ari nawe arongoye kuri urwo rwego Umugwi mpanuzwajambo ushinzwe ivya Yubile.***

# Ingene amategeko ategekanya uburenganzira bwo gushikiriza iciyumviro

Kiremwamuntu wese yaba umwana canke uwukuze, n'abakenyezi batibagiwe, arafise uburenganzira bwo gushikiriza iciyumviro ciwe, mu gihe kidahungabanya umutekano canke ngo kibe intambamyi yo kubaho neza kuri buri muntu wese. Uburenganzira bwo gushikiriza iciyumviro burafise ingene amategeko yaba mpuzamakungu canke ay'Uburundi yabutegekanije.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya ubwo burenganzira.**

Uburenganzira bwo gushikiriza iciyumviro butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu atandukanye: itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu, amasezerano mpuzamakungu mu vy'uburenganzira bw'abantu mu kwitunganiriza ivyabo no mu vyerekeye poritike, amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana hamwe n'amasezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.

*a. Mw'itangazo mpuzamakungu.*

Kiremwamuntu wese, arafise uburenganzira bwo guserura iciyumviro ciwe.

Tubisanga mu ngingo ya 19 ivuga ko "umuntu wese afise uburenganzira bwo guserura ivyiyumviro vyiwe. Ni ukuvuga ko ata muntu yogira umutima uhagaze ku vyerekeye ivyiyumviro vyiwe, ko ashobora kurondera n'ukumenyesha amakuru n'ivyiyumviro mu mihingo yose, mu buryo ubwo ari bwo bwose".

*b. Mu masezerano mpuzamakungu mu vy'uburenganzira bw'abantu no mu vyerekeye politike.*

Ntamuntu n' umwe yogirirwa nabi kubera ivyiyumviro vyiwe. Biri mu ngingo ya 19 ivuga ko "atamuntu n'umwe yogirirwa nabi kubera ivyiyumviro vyiwe. Ibandanya ivuga ko umuntu wese afise uburenganzira bwo kuvuga iryo agona, ubwo burenganzira bukaba burimwo umwidegemvyo wo kurondera, kuronka no gukwiza amakuru n'ivyiyumviro vy'ubwoko bwose, ata karimbi mu mbibe z'igihugu, ari amakuru avurwa ku munwa, mu nyandiko canke mu buhinga canke mu bundi buryo bwose yitoreye".

*c. Mu masezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka k'abana.*

Uburenganzira bwa muntu bwo guserura iciyumviro ciwe, burategekanijwe kandi no ku bana. Tubisanga mu ngingo ya 12 ivuga ko, "ibihugu vyemeje ayo masezerano, bitegerezwa guha umwana wese amaze guca ubwenge, uburenganzira bwo guserura iciyumviro ciwe ku kibazo cose kimwerekeye. Irongerako ko umwana wese ategerezwa guhabwa akaryo ko kwumvirizwa ku bimwerekeye, haba muri sentare, mu ntwaro, mu mashirahamwe atandukanye ndetse n'ahandi hose hashobora gufatirwa ingingo zimwerekeye".

Ingingo ya 13 iza yunganira iya 12, kuko ivuga ko "umwana wese afise uburenganzira bwo guserura ico yiyumvira. Muri ubwo burenganzira, harimwo ukurondera, ukuronka n'ugukwiragiza amakuru n'ivyiyumviro vy'ubwoko bwose, iyo biva hose, ibiciye mu mvugo, mu nyandiko, mu bicapo canke hakurikijwe ubundi buryo umwana yitoreye".

*d. Mu masezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.*

Umuntu wese arafise uburenganzira bwo guserura iryo agona hamwe no kumenyesha abandi ivyiyumviro vyiwe, ariko yisunze amategeko n' amabwirizwa.

Tubisanga mu ngingo y'9 mu gace kayo ka 2 ivuga ko "umuntu wese afise uburenganzira bwo guserura iryo agona kandi agashobora kumenyesha abandi ivyiyumviro vyiwe yisunze amategeko n'amabwirizwa".

Biragaragara ko iyi ngingo iha uburenganzira bwo gushikiriza icimviro abantu bose muri rusangi, itaravye umugabo, umukenyezi canke umwana.

Mu ncamake, amategeko mpuzamakungu atandukanye arategekanya uburenganzira bw'umuntu wese bwo gushikiriza iciyumviro. N'amategeko y'Uburundi arategekanya ubwo burenganzira.

**2. Ingene amategeko y'Uburundi ategekanya uburenganzi-ra bwo gushikiriza iciyumviro.**

Mu mategeko y'Uburundi, tuja kwisunga ibiri mw'Ibwirizwa Shingiro, mw'ibwirizwa n°1/19 ryo ku wa 14 nyakanga 2018 rigenga ibimenyeshamakuru mu Burundi, mw'itegeko inomero 100/167 ryo ku wa 5 ruheshi 2012 rishiraho ihuriro ry'urwaruka hamwe n'ibiri mu gitabu c'amategeko mpanavyaha.

*a. Mw'Ibwirizwa Shingiro.*

Uburenganzira bwa muntu bwo gushikiriza iciyumviro, butegekanijwe mu ngingo ya 31 nayo ivuga ko "umuntu wese afise uburenganzira bwo gushikiriza ivyiyumviro vyiwe. Reta irubahiriza ubwigenge bw'umuntu bw'ukuja mw'idini ashaka, ugushikiriza ivyiyumviro vyiwe n'ugukurikiza umutimanama wiwe".

Mu gushimangira iyo ngingo ya 31, ku vyerekeye imice y' abarundi muri rusangi nk' uko amasezerano y' i Arusha yabishitseko n' abakenyezi batibagiwe, hampande y'uburenganzira bwa kiremwamuntu twavuze aho hejuru, ishirwa ryabo mu nzego zitandukanye z'igihugu, rituma ba-

Ibikur. urup. 11

# Ingene amategeko ategekanya uburenganzira bwo gushikiriza iciyumviro

(Bitangurira ku rup.10)
ronka akaryo ko guterera ibikorwa n' ivyiyumviro vyabo mw'ituganywa ry'ubuzima bw'igihugu, kugira kiremwa muntu wese yubahirizwe mu burenganzira bwiwe bwo gushikiriza iciyumviro.

Ni kuri iryo hangiro, vyashizwe mu ngingo y'169 y'Ibwirizwa Shingiro ivuga ko " Inama Nshingamateka igizwe n'imiburiburi n'abashingamateka 100 barimwo 60% b'abahutu na 40% b'abatutsi bose hamwe harimwo abashingamateka b'abakenyezi n' imiburiburi ibice 30% vy'abatowe n'abenegihugu bagatorerwa ikiringo c'imyaka itanu, harimwo n'abashingamateka batatu b'abatwa bongeweko nk'uko ibwirizwa rigenga amatora ribitegekanya mu gace ka mbere k'ingingo yaryo y'108 ".

No mu nama nkenguzamateka, abakenyezi barafise ikibanza gituma uburenganzira bwabo bwo gushikiriza iciyumviro buguma bwubahirijwe. Tubisanga mu ngingo ya y'185 mu gace kayo ka 2 ivuga ko " mu bagize Inama Nkenguzamateka hategerezwa kubamwo n'imiburiburi ibice 30 % vy'abakenyezi.

Uburenganzira bwo gushikiriza iciyumviro ngaha mu Burundi burutegekanijwe no ku bana. Itegeko ry' umukuru w'Igihugu no 100/167 ryo ku wa 5 ruheshi 2012 rishiraho ihuriro ry'urwaruka, kuva ku mutumba gushika ku rwego rw' Igihugu. Rigizwe n'abana 7 batorwa ku mutumba, 7 batorwa muri komine, 2 batorwa ku rwego rw'intara. Abatowe ku rwego rw'intara bagiye hamwe bagira iryo huriro ku rwego rw'igihugu.

Iri huriro ni urwego abana bashikirizamwo ivyiyumviro vyose muri rusangi, na cane cane ivyiyumviro vyerekeye uburenganzira bwabo, nk' uko tubisanga mu gace ka 5 k' ingingo ya mbere y' iryo tegeko.

N'aho uburenganzira bwo gushikiriza iciyumviro butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'Uburundi, iyo umuntu yinyegeje inyuma y'ubwo burenganzira agakora ibinyuranye n'amategeko, ibwirizwa n°1/19 ryo ku wa 14 nyakanga 2018 rigenga ibimenyeshamakuru mu Burundi, ryarategekanije ivyo kwiyubara.Tubisanga mu ngingo za 53 hamwe no mu ya 55 zaryo.

Ingingo ya 53 ivuga ko " umumenyeshamakuru wese ategerezwa kwirinda ico cose cotuma ashikiriza inkuru itariyo kugira ntakurikiranwe n'ubutungane ".

Ingingo ya 55 nayo ivuga ko " umumenyeshamakuru canke uwundi wese ariko arashikiriza inkuru ategerezwa kwubahiriza ivyiyumviro vy'abandi mu vyerekeye poritike, ukwemera canke ivy' abandi bose, ariko arashikiriza inkuru, n'aho ivyiyumviro vyabo vyoba binyuranye na rwiwe ".

Vyongeye, igitabu c'amategeko mpanavyaha c'Uburundi kirategekanya ibihano bihabwa uwinyegeje inyuma y' uburenganzira bwo gushikiriza iciyumviro, bikagaragara ko ariko aratukana canke ariko aratesha agaciro abandi.

Tubisanga mu ngingo ya 265 ivuga ko " uwo wese mu majambo avuga ariko arashikiriza ivyiyumviro vyiwe, bigaragaye ko ariko aratuka umuntu kandi akabikora ku mugaragaro, ahanishwa umunyororo uva ku kwezi kumwe gushika ku mwaka n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi cumi gushika ku bihumbi ijana vy'amafaranga y'amarundi canke igihano kimwe muri ivyo conyene ".

Uretseko abantu dutegerezwa kwubahana hagati yacu, dutegerezwa no kwubaha inzego z'igihugu, mu gihe turiko turashikiriza ivyiyumviro vyacu. Niyo mpamvu ingingo ya 394 ivuga ko "uwagiriwe n'icaha c'ugutuka umukuru w'igihugu mu vyiyumviro ashikiriza, ahanishwa umunyororo uva ku mezi atandatu gushika ku myaka itanu n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi cumi gushika ku bihumbi mirongo itanu vy'amafaranga y'amarundi".

Nk' uko tubisanga kandi mu gace ka mbere k' ingingo y' 396, "uwagiriwe n'icaha c'ugutuka umukuru w'igihugu, umushingamateka, umushikiranganji, umucamanza, umukozi wa Reta, icariho c'uburongozi canke uwujejwe umutekano mu gihe ariko arangura amabanga yashinzwe, ahanishwa umunyororo uva ku mezi atandatu gushika ku myaka ibiri n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi mirongo itanu gushika ku bihumbi ijana canke agahanishwa igihano kimwe muri ivyo conyene".

Biragaragara ko n' aho gushikiriza ivyiyumviro ari uburenganzira bwa zina muntu wese, uwushaka gushikiriza ivyiyumviro vyiwe asabwa kwisunga amategeko n' amabwirizwa.

Aha duca tubona ko uburenganzira bwo gushikiriza iciyumviro bufise aho bugarukira na kare uburenganzira bwa muntu bugarukira na cane cane aho ubw' uwundi butangurira.

Mu gusozera, twovuga ko uburenganzira bwo gushikiriza iciyumviro bwugururiwe umuntu wese, abakuze n'abana, abagabo n'abakenyezi, kandi ko iyubahirizwa ryabwo ritegekanijwe n'amategeko yaba ayo ku rwego mpuzamakungu ndetse n'amategeko y'Uburundi. Twovuga kandi ko iyubahirizwa ry'ubwo burenganzira rifise aho rigarukira, kuko uwushikirije iciyumviro mu gihe adakoresheje urupfasoni, arahanwa nk'uko amategeko yabitegekanije.

*Ikigo kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »*

# Ico Inama y'Abepiskopi ivuga ku matora yo ku wa 5 ruheshi 2025

*Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi barashikirije itangazo ku matora yabaye ku wa 5 ruheshi 2025, aho bamenyesha ko ayo matora taranzwe n'utunenge haba mu ntunganyo yayo. Bvgira bati:*

Twebwe abungere tugize Inama y'Abepiskopi Katolika b'I Burundi,

1. Nkuko twama tubigira, n'ubu twararungitse abarorerezi mu matora y'abasingamateka n'abajenama ba Komine yabaye kw'igenekerezo rya 5 rusheshi 2025.

Naho tutakwiye ku biro vyose vy'amatora, barashitse mu ntara zose n'amakomine yose. Bariboneye ivyabaye ku biro vy'amatora 2400, akaba ari ibice mirongo itatu kw'ijana vy'ibiro vy'amatora mu gihugu cose.

Kubw'abahinga mu yerekeye amatorayarasohoye itangazo ku vyaranze amatora, ivyo bice ni urugero rukwiye kugira ngo umuntu ashobore kugira ico avuze ku kuntu amatora yagenze.

2. Dufatiye ku vyo biboneye, turemeza ko muri rusangi amatora ayabaye mu mutekano, kandi abantu barayitavye.

Vyongeye, umugwi w'igihugu wigenga ujejwe amatora wagumye ukurikirana uko amatora ariko aragenda, bikenewe ukibutsa intumbero ijanye n'amategeko.

3. Ariko hari n'ibitagenze neza babonye. Muri vyo twovuga nk'ibi:

- Hari Ibiro vy'Amatora vyuguruwe imbere y'isaha itegekanijwe n'amategeko, abaserukira abitoza n'abarorerezi batarashika ngo bibonere ko amasandugu agaragara kandi bumve ingene abahagarariye amatora barahira,

- Hari ibiro vy'Amatora vyuguruwe kw'isaha mugabo abaserukira abitoza n'abarorerezi bakabanza gutaramurwa, hanyuma binjiye bagasanga amasandugu ari mu kwuzura ku buryo butangaje;

- Hamwe hamwe abahagarariye amatora ntibubahirije ukudahengama kwabwirizwa kuranga abari mu mugwi wigenga w'amatora: nko mu guhatira abandi gutora aho bipfuza, kubatorera ku gahato canke bakabaherekeza mu bwiherero bw'amatora;

- Hariho abarekuriwe bamwe bamwe gukoresha amakarata menshi, bamwe bagatora bisubiriza abandi bagatorera abatabatumye;

- Hari bamwe mu baserukira abitoza no mu barorerezi batswe uburenganzira bahabwa n'amategeko, uri abarataramurwa, uri abankiwe kwinjira mu biro vy'amatora.

- Hari rero n'abarorerezi bategekwa gushira igikumu ku vyegeranyo kandi batabirekuriwe n'amayegeko.

- Hari aho batemereye abaserukira abitoza gukurikirana ingene a-majwi aharurwa.

4. Dufatiye kuri ivyo tuvuze mu vyo abarorerezi bacu babonye bitagenze neza, turabona ko impinge ikiri ndende mu vyo gutunganya neza amatora, kandi turibaza nmba bidatosekaza ibiharuro bitangazwa

5. Duhamagariwe rero kwikebuka tugatumbereza neza ingene dutegera intwaro rusangi ngo dushobore gutosora ingendo y'amatora haba mu vy'amategeko ayagnga, no mu nzego ziyatunganya.

6. Uwo mwizero w'uko twoteba tugashika ku amtora atagira akanenge ni udutume tuguma twitwararitse gushira imbere kwubakira ku kuri, ku butungane, ku rukundo n'amahoro.

*Bigiriwe i Bujumbura ku wa 10 ruheshi 2025.*

*Abungere banyu.*

**Patiri Noël Ntirandekura**

## Tumenye ivyo twemera, tubigendere, bidukomeze mu kwemera

*(Bitangurira ku rup.6)*

mye bemera ko Imana ari yo yaremye vyose, bakayita Rurema, Rugira rugira inka n'ibibondo. Bararera abana babo neza uko bashoboye, abana na bo bagakura basonera abavyeyi. Barasonera ubuzima bw'uwundi n'ivyiwe.

*a. Amajambo twisunga muri iki cigwa.*

Imana yarakunda gushikiriza Ijambo, ku rivuga ikoresheje igaca ikoresha umuvugwa bita Rubwiriza, aho rero iryo jambo rica riba itegeko. Ijambo itegeko-amategeko, rikoreshwa incuro 281 muri ivyo bitabu bitanu vyonyene vya Bibliya Nyeranda.

Twisunze inkomoko y'ayo majambo, mu giheberevi, Ijambo ibwirizwa–amabwirizwa, rikoreshwa incuro 24 zose (Ihunguka 20,1-17 ; Amategeko 5,6-21).

Ijambo imigenzo, rikoreshwa incuro 9 (Ihunguka 6): inyanduruko y'isegenya), abantu haraho batera ishavu Imana mu kuzimanganya imigenzo yabo (Ihunguka 6, 12).

Ijambo ingingo, rikoreshwa incuro 67 zose (gusoma Ihunguka 21 ; 22 na 23). Ijambo amateka, rikoreshwa incuro 7 muri ibi bitabu bitanu vy'amategeko : Amam 26,5 ; Har 36,13 ; Teg 5,31 ; 6,1.2.1720 ; 7,11 ; 10,13 ; 11,1.

Menya neza: dutora izo ncuro twisunze inkomoko y'ayo majambo: igihebereyi.

**Biracaza**

**Patiri Noël Ntirandekura**